**SONS OF ISRAEL ACCEPT TO OBEY THE COMMANDMENTS OF GOD**
**Lesson 101**
**Exodus 21:12-25**
Memory verse: « The blessing, if you obey the commandments of the Lord your God which I command you today… » Deuteronomy 11:27

**ABISIRAYELI BAHABWA AYANDI MABWIRIZWA ; BEMERERA KUYUBAHIRIZA**

**Icirwa ca 101**

Ijambo ngenderwako : « ***Uwo mugisha muzowuhabwa ni mwitondera ivyagezwe vy'Uhoraho Imana yanyu, ivyo mbagera uyu mussi.*** »
**Gusub 11:27**

**Kuvayo 21:12-25**

## I. Intangamarara

Turabandanya kwiga ivyirwa vya Bibiliya nkuko Pawulo yandikiye Timoteyo ati : « *Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana, kandi bifise akamaro ko kwigisha umuntu ; kumuhana, kumutunganya no kumutoza indero nziza mu kugororoka. Kugira ngo umuntu w'Imana abe uwushitse.* » **II Timo. 3:16-17** kugira ngo umuntu abe uwushitse ; wiga ijambo ry'Imana kuko niho womenya ico ukwiye kwitondera, aho ugahabwa umugisha wasezeraniwe abayubaha.

Imana imaze guha Mose amabwirizwa cumi, ntiyarekeyaho. Yabandanije kumuha ayandi mategeko yo kubahiriza kugira ngo ubumwe bwayo nabo ntibuze butosekare kandi nabo ubwabo baze babane neza. Iki gitabo citwa igitabo c'amasezerano.

## II. Amategeko yatanzwe.

Aya mategeko naho yatanzwe mu gihe ca Mose, ntiyataye agaciro kuko icaha cose gitegerezwa gukurikirwa n'igihano bikwiranye. Ubwo nibwo butungane bw'Imana.
*Gushiraho ubutungane niyo ntumbero ya mbere yaya mategeko. **Soma 23 :6-9** Imana iranka akarenganyo mu bantu. Abantu bose baba bayazi neza. Ntivyasaba kwitura sentare ngo ruje mu mwiherero ku kwanka ko hotangwa igiturire ukuri kukagurishwa. Baraba icaha cakozwe, bagaca bashira mu ngiro igihano canditswe ubwo nyene. Aha niho abantu bari bakwiye guha icubahiro Umwami Yesu kuko yemeye guhanirwa ivyaha vy'abantu bagahabwa umwidegemvyo.

*Intumbero ya kabiri yariyo gukuza ukwizera mu bantu. **Soma 23:10-11** Aha Imana yabasaba ko batazorima umurima n'umwe mu mwaka ugira indwi. Bazotungwa n'iki ? Imana izobatunga. Umuntu yomenya ko ivyo afise atari uko azi kurondera kurusha abandi. Ni ikiganza c'Imana camuhezagiye.
Inkurikizi y'uku kutarima ni uko basanga bakoze ibikorwa vy'impuwe kubakene babishaka canke batabishaka. Imana imenya ingene itunga abakene.

*Intumbero ya gatatu ni ukubungabunga imico n'akaranga no kwitaho isuku mu bantu b'Imana. 22 :19. « *Uwuzosambana n'igitungwa ntaze abure kwicwa*. » **Abalewi 18:15** *« Ntihaze hagire uwambika ubusa umukazana wiwe ; uwo ni umugore w'umuhungu wiwe* » iyi ni imico idakwiye kwiregagizwa.

Kuvyerekeye isuku, tubibona mu gusubira mu vyagezwe **23:12-13 «** *Kandi muzogire ahantu h'ukwihagarika hirya y'aho mucumbitse ; kandi umuntu wese muri mwebwe azogire ikimito agendana ; maze agiye k'umusozi akituma, azocimbishe ikinogo, aheze arenzeko ivu ibimuvuyemwo.* » Isuku ntirivana n'ubutunzi bw'umuntu. ni umuco wamenyerewe. Rirakenewe no mu bantu bakijijwe. Aho baryama, impuzu bambara n'ibindi.

* Intumbero ya kane kwari ukubigisha gukorera Imana kuko aribwo butunzi bwabo mw'ijuru. **23:19** « *Ivyo intangamarara vyo ivyeze ubwa mbere muzokwame mubizana mu ngoro yanje, jewe Uhoraho Imana yanyu.* » Iri ni itegeko bubahiriza ari naco catuma batabura ico barya mu mazu yabo. Igituma inzara ari nyishi mu bantu ni uko atawucubaha Imana muvyo yejeje, mu ndimiro, mu nyungu kubadandaza canke mu mishahara bahembwa.

## III. Amategeko yemewe

Soma 24 : 3 Mose ababwira amajambo **Yose ;** Nabo baramwishura bati « ivyo Uhoraho avuze **vyose** tuzobikora » vyaraboroheye kwemera kuko bumva banejerejwe no kugendana n'Imana muri uru rugendo. Ariko nkuko ivyirwa bizogenda bivyerekana, uko bavyemeye siko bavyubahirije.

### IV. Gushira mu ngiro.

Uhoraho yipfuza ko isi yogira ishusho y'ijuru mu mahoro, umutekano, ubutungane, …. Mu mategeko ntivyakunze. Yesu aza guhanirwa ivyaha vy'abantu. Yongera aravuga ati : « *Uwo mugisha muzowuhabwa ni mwitondera ivyagezwe vy'Uhoraho Imana yanyu, ivyo mbagera uyu mussi.* »
Naho ari igihe c'ubuntu, harakenewe ko umwe wese yumvira ico Imana yihanikirije. Ushobora kuba warabuze umugisha kubera ukutubahiriza ivyo yihanikirije ; saba Mpwemu Yera akubwire ico wokora ubu nyene uheze ube umwizigirwa imbere y'Imana.